# Uyu Munsi Iki Canditswe Kirashitse

Phoenix, Arizona, USA
25 Nzero 1965

1 Murakoze, mwene Data Demos, mwene Data Carl. Shakarian canke Demos Shakarian na mwene Data Carl Williams, n'intumwa, mwese. Ndibaza ko uyu mwene Data, uyu murimyi hano, yavuze ivyo nashaka kuvuga, kur'uno mugoroba, ku buryo yabintanze. Kuko ndibaza ko nanezererewe kino gikorane, kurusha ikindi gikorane cose noba maze kubamwo. Sinari bwigere mbona mu gikorane na kimwe, ubwumvikane bungana ukur' aho, n'isangira nyakuri nk'ir'aho be n' urukundo rwabene Data nk'urwo.

Ikindi kintu nakoze, narahuye n' intumwa nyinshi nshasha zo mw' Ijuru, bene Data bashasha abo nagiriwe ibakwe ryo gukorana nabo mu minwe nongera ndababavugisha.

2 Mu majoro make aheze, nariko ndumviriza urya mwene Data w' Umubatista yicaye harya. Sinshoboye kwibuka izina ryiwe. [Mwene Data Shakarian avuze ati: “Irvin.” - Umw.] Irvin. Hanyuma aca anzanira ikarata ivuye…nibaza yuko ari inasenge, yicaye hano kur' uyu mugoroba. Yari yabitse iyo karata y'amasengesho nk' ikiringo c' imyaka mirongo ibiri.

Yari yazanywe mu gikorane ari ku mpfiro kubw' indwara, iyo kumbure umuganga yoshoboye gusobanura iyo ari yo. Ni ikintu kimeze nk' imibembe, ariko si imibembe. U…Hariho kubagwa, barigushobora gucacura ikintu kanaka kimeze nk' akagozi amaja aha hejuru, canke ikintu nk' ico, ariko yari guca amera nk'igisomasoma, yari gutegerezwa kuguma yicaye aho. Rero mu gihe yari yicaye ng'aho, kumbure ikarata yiwe ntiyahamagawe namba, ntiyashobora kuja mu murongo w' amasengesho, niho Mpwemu Yera yantumbereza kuri wé. None yagarutse ng'aha kur'uyu mugoroba, ameze neza, kandi turashima cane kubw'ivyo. I…

3 [Mwene Data Shakarian avuze ati: “Mwene Data, nibaza - nibaza ko Howard Irvin yavuganiye nawe hariya, ariko ndibaza ko uwo inasenge ari ng'aha. Kumbure turashobora kumusaba ko yohaguruka.” - Umw.] Murashobora guhaguruka inasenge wa…[“Ng'uriya. Zungagiza ikiganza cawe. Zungagiza ikiganza cawe.” Ikoraniro riciye rikoma amashi. - Umw.] Imana iguhezagire, mushikanje, kubw'ukwizera kwawe kw'ubuhizi mu Mwana w'Imana. Izokuzigamire mu magara meza gushika igihe Izoguhamagarira gutaha i Muhira, igihe uyu mubiri upfa uzokwambara ukudapfa.

Ivyo ndabishima cane, kubona yarazigamye iyo karata iyo myaka yose, kandi yayinzaniye yongera arayinyereka uyu mugoroba. Murazi, nariko mvuga yuko ari nka wa mukate hejuru y'amazi, urakugarukako, iyo ugerageje kugira ikintu kanaka ukorera uwundi muntu.

4 Rero naragiriwe ibakwe ryo guhura na benshi mur'aba bavugabutumwa beza, kandi ndashima vy'ukuri isangira ryabo ryiza, uku gukorera hamwe. Mwene Data Carl yatangaje ko nzogaruka mu mwaka uza, Umwami niyabishaka, tukaba tukiri hano kw'isi. Kandi rero, ndizigira kwongera kubonana na buri umwe wese muri mwebwe mu mwaka uza, kandi umwumwe azanye iyindi ntumwa yaba umugabo canke umugore.

Ubu rero hariho ikintu kimwe nagomba kuvugako gato, kumbure mu kanya gato gusa. Kubera ko Muganga Reed ari we aca avuga ubukurikira, kandi nkaba naje gushika ng'aha kur'uyu mugoroba, nagize mayili amajana abiri na mirongo itanu [Ibilometero 402 -Umw.] aho na…ngenda uru rugendo, kugira numvirize Muganga Reed. Kandi hariho ikintu cabaye ubushize gato ngomba…Ariko - ariko, Muganga Reed, nogenda n'imodoka mayili igihumbi [ibilometero 1609 - Umw.] ngiye kumwumviriza. Ariko hariho ikintu ca… Kuva ndi hano, nogenda n'imodoka mayili igihumbi [ibilometero 1609 -Umw.] kugira gusa numve ivyo numvise mu kanya gato gaheze, ikintu c'akaroruhore ukur'aho, ikintu kanaka umubiri n'amaraso bidashobora guhishura. Bisaba ko Mpwemu Yera ari We abikora. Kubona umuntu yateye intege ubuzima bwanje ukur'aho, kandi nta nkeka nzokwama ndabikenguruka cane iminsi yose isigaye y'ubuzima bwanje.

Ico nashaka kuvuga ni uko - uko hamwe noba ntegerezwa kubagwa, ntegerezwa kwitura umuganga, uzoce - uzoce uza Muganga Reed, ubwo nyene. Nda - ndashobora kwizera umuntu yombaga, hamwe noba ntegerezwa kubagwa, ibiganza vyizera Imana, uyo niwe nokwipfuza ko ankora. Rero, tu…Ndizera ko ntazigera ndabikenera. Ariko hamwe bishitse, nokwpfuza ko yoba we, canke umuntu ameze nka we, ko ari we yokora ico gikorwa, we adashoboye kuhaba.

5 Hariho ikintu cămbāyéko ejo ku mugoroba, ca, canke ejo inyuma y'umutaga, cabaye ikintu gisa n'igitangaje kuri jewe. Kandi ndaza guca make, kuko ntagomba gutwara umwanya mwene Data, kuko agiye kuvuga. Ariko ndibaza ko ari uburyo kanaka bw'ishimagizwa ry'igikorwa c'ibango canje.

Mpo - mpora nitegereza ibintu bitobito. Buri kantu gato karafise insiguro kuri jewe. Sinizera ko hari ikintu na kimwe kiba ku Mukristo ku gihamana. Nibaza ko vyashinzwe n'Imana, kubera Yesu yavúze ko Yotumye ibintu vyose bikorera hamwe kubw'ineza y'abaYikunda. Rero, ndizera yuko buri kantu kose gato mu - muri iri bango ry'igikorwa gito giciye bugufi Yampáye, kugira ngo ndabafashe mwebwe bantu, mfashe umwe wese, kandi namwe mwese muri ubufasha kuri jewe, dufashanya umwe n'uwundi gushikira bwa Bwiza. Muri ivyo, buri kantu gato kose, karafise insiguro, kuri jewe.

Ariko ivyo vyămbēreye ibigoye cane kwizera ejo hahise ku muhingamo, igihe nabura igisomwa canje hano. Nda -ndababwire, sinari bwigere mbura ayo ncira n'ayo mira ukur'aho mu buzima bwanje. Hanyuma rero, u - umugore wanje yarampaye Bibiliya nshasha kubwa Noheli.

6 Iya kera nari mfise yari yaraheze. Ndayimaranye hafi imyaka mirongo ibiri, nari nayihawe n'abantu bo muri Houston Gospel Tabernacle, haraciye imyaka myinshi, igihe nari ngitangura kugira ibikorane. Kubw'ivyo rero ndayikunda cane, kandi nda…inkaratasi n'impapuro, kuba yarajabutse ibiyaga, no hirya n'ino, gushika aho…iriko iratâtāna. Rero ndafata nk'urupapuro rumwe mw'itanguriro ngaca ntegerezwa kuja kuraba inyuma mu Gusubira mu Vyagezwe, ahantu kanaka, kugira ndaruronke, murazi, ahomba nararusubije muri Bibiliya. Rero, yarandonkeje imwe kubwa Noheli. Kandi naranka gushira ico Gitabu ca kera ku ruhande, cambereye ic' igiciro kinini. Navuze nti: "Ninagenda imbere yuko Yesu aza, muze muyindambikeko. Izomanukane nanje, hanyuma nzozukana nayo nitwazuka." Aho rero, ico ni iciyumviro canje, ukwo biri kwose.

7 Ni nka ka gakuru nahóra mvúga. Nibaze yuko uku atari ukurogota. Ariko naragiye ku…Umugabo umwe yarambariye igihe kimwe, nibaza ko yari mwene Data Earl Pricket, mu gikorane hariya muri New York, niho nahûra n'umugabo umwe, aca ambwira ati: "Mbarira,ukorana iki n'aba bagabo b'abadandaji, kandi uri umuvugabutumwa?"

Nca ndamwishura nti: "Naje ndi umudandaji."

Nawe aca avuga ati: "Ukora urudandaza bwoko ki?"

Nca mvuga nti: "Ubushizi bw'amanga." [Mu congereza:"Assurance." - Umus.] Aho rero, wé yiyumviriye yuko mvuze "Ubwishingizi", [Mucongereza : "Insurance." - Umus.] murabona. Kubw'ivyo nari mvuze nti: "Ubushizi bw'amanga." Niho yaca avuga ati: "Oo, ni ubwishingizi nyabaki ugurisha?"

Nca ndamwishura nti: "Ubugingo Budashira." Budashira! Mvuga nti: "Sindabugurisha. Nanje ubwanje ndi umwishingizi, kandi ngerageza kuBurangira n'abandi."

8 Ndibuka umuhungu umwe twajana kw'ishure, igihe kimwe, yari umudandaza w'ubwishingizi. Ubwishingizi ni bwiza, ariko je ntabwo mfise. Hanyuma rero niho yaza i muhiraiwanje, aravuga ati: "Billy, nari nipfuza kukugurishako ubwishingizi kanaka." Avuga ati: "Ndazi mwene wanyu." Mwene wacu adandariza Metropolitan. Avuga ati:"N'uko rero," ati: "Nari-nari nipfuza kukugurishako ubwishingizi kanaka."

Nca mvuga nti: "Oo, Wilmer, urakoze."

Kandi muzo…arashobora kuba ari hano kur'uyu mugoroba, mwene wabo yandika ibinyamakuru muri The Upper Room, igitabu, The upper room. [Muri ca cumba co hejuru - Umus.] Rero aca…

Nca mvuga nti: "Ndafise ugushira amanga."

Aca avuga ati: "Iki?"

Niho umugore wanje yaca andaba nk'aho noba nari mbaye indyarya. A…nca mvuga nti…

Niho yaca avuga ati: "Billy?"

Hama nanje nti: "Egoo, uuumh, ndafise ugushira amanga."

Aca avuga ati: "Oo, mura - murantunga," aravuga ati: "Sina…Nári numvise yuko utagira ubwishingizi na bumwe."

Nca ndavuga nti: "Oya, ndafise ubushizi bw'amanga." Hanyuma - hanyuma aca arantahura, ubwo ico nari mvuze.

Aca avuga ati: "War'uvuze iki?"

Nca mvuga: "ubushizi bw'amanga.'"

Aca avuga ati: "Ushatse kuvuga iki rero?"

Nca mvuga nti: "Ugushira amanga guhezagiwe, Yesu ni Uwanje;

Oo! Mbeg'imponjo y'ubwiza bw'Imana!

Ndi umuragwa w'agakiza,

Uwaguzwe n'Imana;

Navyawe na Mpwemu WiWe, nozwa n'amaraso yiWe.

Aca avuga ati: "Billy, urazi ko ivyo ndabikunda." Ati: "Ico ni ikintu ciza cane. Ariko," avuga ati: "muhungu, ivyo ntibizoguhambisha hariya mu mva."

Nca mvuga nti: "Ariko bizonkurayo." Nta bwoba mfise… [Mwene Data Branham n'ikoraniro baciye batwenga- Umw.]

Sinitayeho ukwo nzinjirayo; ni ugusohokayo, murabona. Rero nibaza yuko uko ari kwo tuvyumva.

9 Ejo n'imugoroba, igihe natora iyo Bibiliya, hanyuma sinashobora gutora ico gisomwa.Niho naca ntora iyo Bibiliya nshasha. Nariko ndasoma muri iyo ya kera, nca mfata imwe nshasha ndayishira mu kwaha nca nza ndihuta cane hano. Niho nazingurura ha hantu, nca nibwira nti: "Neza, hano, ndizera hāri muri Yohana Mweranda 16:21," ariko nticari ico gisomwa namba.

Nca mbwira mwene Data Moore nti: "Mbega biri aho nyene?" "Egome."

Nca nongera kuraba nsanga siho. Nikwo guca niyumvira nti: "Rero, hariho urupapuro bashize - bashizemwo nabi."

Niho rero, uyu mwene Data hano yaca aza, mwene Data Stanley, aca araza hano; Umwepisikopi Stanley, nakwo. Kandi sinzi ico uwo muntu yashâka kuvuga, na…Ariko vyaranteye intege cane, ukwo biri kwose. Yaraje atambuka anyegera i ruhande, aca avuga ati: "Tekana mwene Data, kumbure hari ikintu kanaka Imana igira ikore." Murabona? Kandi ivyo vyaranteye intege koko, kwiyumvira yuko yovuze nk'ukwo.

Ndibaza nimba yaramenye ko yavugishijwe? Ariko mu kuvugana nawe mu kanya gato, imbere yuko nduga hano, sinkekeranya ko yabimenye.

10 Rero naravuze Ubutumwa bwanje ku bijanye n'*Imibabaro Yo Kuramukwa*, n'ibindi. Na bwa buryo bwanje buciriritse bwo kubikora, ku bijanye na rya shurwe ryo mu mwonga; ukuntu rivukira munsi maze rikavyarwa, hanyuma rigakura, rigakwega izuba, amama y'urume, n'ibindi. Hanyuma ukubora ritegerezwa gupfiramwo, kuvukiramwo, nakwo, kugira risohoke. Nariko ndageragezarero kugira ikigereranyo c'ishengero.

Ni nk'uyu muganga ari hano, hamwe yoba agiye kuvura uwurwaye. Uyu munsi turafise abaganga bavuga ngo: "Murashobora kwinyukura ikirenge, inyuma ku gitsintsiri, hanyuma mugakira kanseri mufise mu maso, murabona." Ariko umuganga mwiza ntiyokwumviriza ikintu nk'ico. Avura umurwayi yishimikiye igitabu aba ariko arasoma ku bushakashatsi bw'ivy' ubuvuzi.

Kandi nanje ukwo nikwo ngerageza gukora mu kuvura umurwayi. Iyo mbonye ishengero rirwaye, singomba kugerageza kubabwira ko bakeneye ukwongera gukorana mu ntoke n'ibindi, irindi dini rishasha. Ntegerezwa kurivura nkoresheje Igitabu n - nzi, urabona. Rero iyo mbonye ishengero risa n'irigomba kurwara agasama, ngomba gufata umuti wanditswe na muganga nyene nzi ko ari nyawo, kandi kubw' agasama, kugira ngo ndagakure mw'ishengero; iyo mbonye icaha kiryiseruyemwo, ni ubwo buryo nyene.

Narageragejе kugira ingereranyo hamwe na Esau be na Yakobo, hanyuma turabikurikirana mu bihe. Sinza kuvyinjiramwo. Ariko kugira ngo dushike ku gice ca nyuma cavyo, ku gice c'Ivyanditswe ca nyuma nakoresheje, aho nariko ndagereranya, atari mu buryo bunyuranye n'Ivyanditswe ariko nk'uko Yesu yavuze ko vyobaye, ico wa Muganga Mukuru yavuze icuka ishengero ryobaye ririmwo mur'iyi minsi ya nyuma, "Yobaye ari Lawodikiya ; ishengero ritunze, ry'impumyi, rigenda amenya, ryôro," kandi vyogereranijwe n'igihe ca Sodomu. Ubu rero turazi ko ari Ukuri. Hamwe mwobiraba muri kahise, yabanje kuvuga ivy'igihe ca Nowa, ubwa mbere, hanyuma ivy'igihe ca Sodomu. Kandi ukwo nikwo vyagenze, neza na neza ukwo nyene.

11 Kandi kahize, kenshi kămye kisubiriza, kahise karisubiriza, ari nakwo bi - bimeze, no kumasezerano ya Bibiliya. Nk'akarorero, nko muri Matayo 3, ahavugwa hati: "Nahámagaye Umwana waNje mMukura muri Egiputa." Ugiye kuraba aho vyăvūye, yarí Yakobo umwana waYo, Yahamagaye Imukura muri Egiputa; akaba yari umwana waYo muto. Ariko Umwana waYo Mukuru, Yesu, naWe nyene yarahamagawe ngo Ave muri Egiputa. Kubw'ivyo, ico cari gifise i - insiguro irenga imwe.

Rero bivanye n'uko bagiye babivugako, nacîye nzana ico ndavyibazako. Niho nasôhoka mva mu… hama manuka mva ku gicaniro, nca ndasohoka. Abana banje, turiko turataha muhira, bâshaka guhagarara ahantu kanaka ng'aha, kugira bagure umukate. Nca ndinjira, umugore aca ambwira ati: "Billy, niyumvise nabi ku buryo nabuze ico ndi bukore." Avuga ati: "Nije naguhaye iyo Bibiliya."

Nca mvuga nti: "Ariko si wewe wayanditse, si na wewe wayiteranije, mukundwa."

Aca avuga ati: "Ariko, kwibaza gusa ko na - naguhaye Bi - Bibiliya ifise akanenge."

Nca mvuganti: "Ahaaa ! Kumbure ko katari ko."

Niho umwe mubana yayitora, dutangura kwumviriza impapuro. Oya, yása n'iyimeze neza. Ariko amaja munsi, zari impapuro zibiri zari zamatanye, murabona, igice ca 16 rero cari kuri runo ruhande, hanyuma ibibandanya vyo mu gice ca 16 vyaca biza kurundi ruhande. Ica 17 caca gitangurira ku…urabona, ni mu buryo butunganye, neza na neza co kimwe, kuva hamwe uja ahandi. Kandi urwo rupapuro rw'Abahindi, runyabuye cane, zari zimatanye, nanje nkaguma nsanga ndiko nsoma mu gice ca 17 umwanya wose, aho kuba igice ca 16.

12 Niho nibaza nti: "Mana, kuber'iki wakoze ivyo? Kuber'iki vyabaye ngombwa ko haba ikintu nk'ico none?" Yari jewe nariko ndumviriza, murazi, kugira menye ivyo ari vyo, kuko nibaza ko ata na kimwe kiba ku gihamana. Kandi nariko ndibaza kur' ukwo kuntera intege kw'uyu mwene Data hano, yaje akambwira ati: "Humura, takana," 'we yari Umupatiri,' humura, tekana, kumbure ko Imana igiye gukora ikintu kanaka,‟ canke ikintu kimeze nk'ukwo. Niho nibaza nti: ″Ivyo vyoshoboka bite?‟

Hanyuma rero, mu gihe nari nicaye ng'aho, kurya kw'umuturagaro uvuye mw'ijuru bica biranzako. Ubu, ibi birashobora kutagira ico bisigura kuri mwebwe, ariko biragisigura kuri jewe, murabona.

Ndibuka muri Luka igice ca 4, yuko Yesu yinjiye mw'isinagogi i Nazareti, aho yakuriye, nk'uko umugenzo wiWe wari uri wo kuja mw'ishengero ku…mw'isinagogi kw'isabato. Amaze kujayo, tubona yuko umuherezi yaMuhaye Bibiliya, Umuzingo. Yesu amaze kuzingurura uwo Muzingo, Abona ahantu hamwe, Yesaya 61, aca arasoma ico gice c'Ivyanditswe. Niho yaca asubiza Bibiliya uwo mukozi w'Imana. Hanyuma amaze guhindukirira ikoraniro, bose baMuhanga amaso. Aca Avugaati:…

*Uyu munsi iki Canditswe kirashitse.*

Kandi turazi ukuntu iryo somwa ry'ico Canditswe ryari iridasanzwe, kuko Yafashe gusa igice c'umurongo wa 1 n'uwa 2, ca Yesaya 61: 1 na 2. Ariko yasomye gushika ng'aha: "*Mpwemu w'Uhoraho Ari kuri Jewe, kugira ngo ntubike imitima imenetse, no, gu - (*guha*) gukiza abarwaye, no guhumura amaso y'impumyi, no kumenyesha abantu umwaka wo kwemererwamwo n'Uhoraho*," Aca ahagarikira ng'aho. Kuko ivyakurikira vyari ukuzana urubanza, ivyari kujana n'Ukuza kwiWe kwa Kabiri, atari Ukuza kwiWe kwa Mbere. Aca arahagarika, arahindukira, Avuga ati: " Uyu munsi iki Canditswe kirashitse." Ese ukuntu vyari bitumbereye !

13 Kandi mbega i -imvugo ku bigisha no ku bantu bari ng'aho, ku buryo Yashoboye kuvuga atomoye, abwira abantu ati: "Uyu munsi iki Canditswe kirashitse." Kuko ng'Uyo yari ng'aho, Mesiya, ariko ntibari bwavyizere. Ng'Uyo Yari ng'aho, Uwasizwe amavuta kubw'ico gihe. Buri gace k'igikorwa c'ibango ryiWe, kuva ku kuvuka kwiWe kubandanya, kari karerekanye ko Yari ico Yari Ari, ariko n'ubwo bir'ukwo ntibǎri bashoboye kuvyizera. Mbega imvugo ! Ariko yoshoboye kuvuga uyumunsi…

Kandi iyo hagira umuntu ahumura amaso yabo, bari gushobora kuba bamenye, kumenya igihe bǎrimwo, kuko yari isaha yiWe, kuko yari ng'aho akora neza na neza ico Ivyanditswe, abavugishwa bose, vyavuze ko vyoshitse mur'ico gihe. Yari ng'aho akora neza na neza ivyo Imana yari yaravugishijwe ko vyobaye ! Ni gute vyabacitse ntibababibone? Bari guca bamenya ubwo nyene, babonye ukwo igikorwa c'ibango ciWe cari kiri. Uyo niWe Mesiya. Bari kuba babimenye, kuko yavuze ati: "Iki Canditswe kirashitse."

Ndibaza kur'uyu munsi. Kandi nimurabe ukwo vyari biri, igihe umuherezi yatanga Ijambo. Ijambo ryarasomwe, risubizwa umuherezi. Kandi umurongo wa nyuma w'igisomwa canje nári mfise, n'Ivyanditswe nári nanditse, wari Luka Mweranda 17:30, aho Yesu yîsūnga uyu munsi tubayemwo, "igihe ca Lawodikiya, gitunze," ariko kiboze muri politike, politike z'ishengero na polotike z'igihugu, kiboze ku rugero rushoboka. Niho yavuga ati: "Nk'uko vyari bimeze mu minsi ya Loti, niko bizoba mu gihe c'iherezo kiriko kiraza," raba ico yavuze ng'aho, "mu munsi aho Wa Mwana w'Umuntu azohishurirwako."

Murabona, "mu minsi aho Wa Mwana w'Umuntu azohishurirwa !" Ngomba ko muraba neza.

Murabona, Yaje mu mazina atatu. Yaje nk'Umwana w'Umuntu, uwo nawe akaba yari Umuvugishwa. Kandi ico nico Yakoze, yagaragaje igikorwa c'ibango ryiWe mu kuba Umuvugishwa. Ivyo twese turabizi. Umwe wese muri twebwe arabizi. Ntiyigeze avuga ko yari Umwana w'Imana; yavuze ko Yari Umwana w'Umuntu. Ubu rero, uyu munsi, ni Umwana w'Imana, ni ukuvuga ko yagarutse, ubu Akaba ari mu mero ya Mpwemu Yera, Wa Muperesona ataboneka, ariko n'ubwo bir'ukwo akaba Imana, Umwana w'Imana. Muri ya Nganji y'Imyaka Igihumbi, yicara ku Ntebe y'Inganji ya Se, aho azoba ari Umwana wa Dawidi. Yihishuye ubwa mbere nk'Umwana w'Umuntu, Umuvugishwa ; muri kino gihe, mu gihe cose c'Ishengero, Umwana w'Umuntu…nakwo Umwana w'Imana; muri ico kindi gihe, Umwana wa Dawidi. Abana batatu.

14 Ariko murabona hano, yavuze mu mpera z'igihe c'Ishengero, vyarabaye urudubi gushika n'aho yokwongeyeye guhishurwa nk'Umwana w'Umuntu, "Umwana w'Umuntu niyahishurwa." Ese ukuntu ukwo kuvanga kwabonetse neza ejo! Kandi ndizera ko bitabacika.

Twararonse impishuro y'Umwana w'Imana, ariko isezerano rya nyuma Aburahamu yaronse imbere y'uko umwana aboneka…canke ashikanwa ku kubaho, uwo yari yarasezeraniwe, imbere y'uko umwana

yasezeranywe ashika, Imana yabanje kwigaragaza ubwaYo hariya i Sodomu nk'Umuvugishwa, ari Umuntu, mu mubiri, Imana. Elohim, nk'uko numvise umuntu umwe yariko arabivuga mu kanya gaheze, UWo Ubumana bwari muri We mu buryo bw'Umubiri. Yari Ukunengesera. Elohim ni Ukunengesera kw'Ubumana, mu buryo bw'umubiri. Kandi turabona ng'aho, igihe Loti yabona… Igihe Aburahamu yaMubona ariko araza, yavuze ati : "Mutungwa." Bari Batatu. Hariya epfo i Sodomu naho, Loti yabonye babiri, avuga ati : "Batungwa" kubura impishuro. Rabe rero icabaye hano, igihe Yashika, ingene Yimenyekanishije.

Mbega ntidushobora, mbega sinshobora kuvuga iki, iyaba nari nabaye ngavye, murabona, mwene Data yaravugishijwe, igihe yambarira ico yakoze ! Uyu munsi! Raba ico yakoze ubwo nyene hamaze gusomwa ico Canditswe. "Mu minsi aho Wa Mwana w'Umuntu," atari umuntu, atari ikiremwantu, "Wa Mwana w'Umuntu azokwongera kwihishura ubwiWe hagati mu bantu biWe." Uyu munsi iri sezerano, rya kino gihe tubayemwo rirashitse imbere y'amaso yacu.

Yaciye ahindukirira ikoraniro ubwo nyene, hanyuma cumi, canke cumi na babiri ukwo abantu bangana kwose bar'aho, tutazi, yaciye akora nka kimwe nyene yakora i Sodomu. Uyu munsi iki Canditswe cagaragajwe imbere yanyu. Cemejwe imbere yanyu.

None, mwene Data, mushikanje, ntumwa, bavugabutumwa, ico turi cose hano, bane b'Iman, mbega twegereje ukungana gute Ukuza kwiWe none ? Nimba ubu turiko turabona Icanditswe yasezeranye, neza na neza imbere yuko umuriro utibuka i Sodomu kugira ngo uyiturire, akaba yagereranije kino gihe naco, kandi tukaba turiko tubona ico Canditswe gishika neza imbere y'amaso yacu, mbega twegereje ukungana gute Ukuza kw'Umwana w'Imana none ? Ukuntu ukwigaragaza kw'Ivyanditswe kwegereje, nk'uko yabikoze biciye muri Aburahamu, aduza Ishengero, mukigereranyo, mu gihe Yari We Sezerano kw'Ishengero. Ubu rero turabona, uruvyaro rusanzwe rwa Aburahamu, ingene bananiwe. Ariko rwa Ruvyaro rwa Cami rwa Aburahamu, biciye mu kwizera Ijambo ryasezeranywe, ruriko ruragaragazwa kw'isi uyu munsi. Turi mu gihe c'Iherezo, mwene Data, bashikanje. Turi kw'iherezo.

15 Kandi nta kindi kigereranyo dufise. Ntegerezwa gushira Ivyanditswe mu bigereranyo kuko ntize bihagije kugira nzane amajambo n'ibindi. Ngira ikigereranyo. Ariko iyo mbonye mu bitutu…Iyo mba ntari bwigere mbona ikiganza canje, hanyuma nkabona igitutu, nomenya yuko mfise intoke zitanu. Kandi ni ukwo mutegerezwa kuraba ibitutu vy'Ivyanditswe vy'Isezerano rya Kera. Bikora iki? Bitanga ishusho y'ibi. Yesu naWe Yavuze yuko Sodomu yashushanywa n'igihe c'iherezo ubu. Kandi Ivyanditswe nyene vyari vyarasezeraniwe Sodomu, Ivyanditswe nyene vyariko birashika i Sodomu, ivyo Yesu yavuze ko vyokwongeye kwisubiriza kino gihe, vyamenyekanye neza imbere yacu uyu munsi.

Imana ibahezagire. Ntibibacike. Kandi nintongera kubabona hano mu mwaka uza; nibaduga za ngazi z'inzahabu, nizera kuzohurira namwe iyo Hejuru. Imana ibahezagire. [Ikoraniro riciye rikoma amashi. Mushiki wacu umwe aciye avuga mu ndimi yongera atanga insobanuro. Mwene Data umwe aciye aza kuri mikoro aca arongora ikoraniromu ndirimbo, *Araje vuba*, yongera acishamwo avuga. Agace katavuga kuri bǎnde. Uwo mwene Data abandanije aririmba *Araje vuba*, yongera acishamwo avuga. Agace katavuga kuri bǎnde. - Umw]

Data, turi… [agace katavuga kuri bǎnde - Umw.] Nk'uko Ivyanditswe bivuga, turiko turabona ca kimenyetso c'iherezo be n'ikigereranyo vyigaragaza imbere yacu. Amajambo y'Umwami Yesu Kristo yavuze, ko yavuze kw'ari uko biri. Nk'uko vyari biri i Sodomu, turabona isi muri uku kuntu iri, turabona Ishengero ukwo riri, turabona a - abatoranijwe bariko barahamagarwa bava mu madini yose, Ubugingo, buri aho hantu, buriko burasohoka ubu kugira bufate ishusho ya rwa Rubuto. Turasavye, Data wo mw'Ijuru, ko twokwikangura vuba.

Nk'uko hari mwene Data ahejeje kubivuga, yabonye imbere yiwe, kandi igihe yar'ahumirije, amasinzi aca imbere yiwe. Ôo Mana, turumva yuko hari amasinzi atarashikirwa. Dufashe, Mana Mukundwa. Tuve muri kino gikorane n'igabishwa ridasanzwe mu mitima yacu, tuzi yuko uyu munsi iki Canditswe cashitse. Mw' Izina rya Yesu, Amen.

16 [Mwene Data Demos Shakarian avuze ati: "Haleluya. Umwanditsi wacu mukuru, Jerry Jensen, woshika hano? I - inabukwe wiwe yatakaje ubwenge, n'uko. Ahejeje kuronka amakuru ubu nyene. Kandi ni abakozi b'Imana b'Ubutumwa Bwiza, abavugabutumwa bo muri Foursquare. Mbega twoshobora… Ni, ndazi vy'ukuri yuko afise umutima urinda. Kandi, kandi…" - Umw.] Muhejeje kubimenya ubu nyene, muhejeje kuvyumva ubu nyene? ["Egome"] Bari ng'aha? ["Oya, ba, bari i Los Angeles. Muri koma."]

Ikirere ntaco gihindura ku Mana. Ibera hose icarimwe. Itegerezwa kuba ukwo kugira ngo ibe Imana. Bimwe mu bintu bihambaye cane nzi vyakoretse, mu gikorwa canje bwite c'ibango giciye bugufi, bica kuri terefone, canke umuntu yakura, ibintu bihambaye vyakoretse. Reka duhurize hamwe twese mu gusaba Imana ko ikiza abo bantu barwaye.

Data wo mw'Ijuru Mukundwa, turabazanye mu Nyonga ZaWe, biciye mu masengesho. Turazi yuko ijoro rimwe hariho intumwa yari yahagaritswe mu bikorwa vyose ico gihe, yari mw'ibohero kandi yari gucibwa umutwe bukeye. Hariya epfo kwa Yohani-Mariko, baragize igikorane c'amasengesho, hanyuma

imbere mur'ubwo busho nyene, niho haza ya Nkingi y'Umuriro nyene yakurikira Abisirayeli, nakwo ni Abana b'Isirayeli bayikurikiye mu guca mu bugaragwa, yaciye yinjira ng'aho kubw'ico gikorane c'amasengesho, ica yugurura imiryango yose, ica isohora iyo ntumwa yongera iyishira mw'ibarabara, ifise umwidegemvyo wo kuvuga Ubutumwa.

Turatahura yuko aba bavugabutumwa, aba bantu b'abamisiyonari, bugaranywe ubu, bari - bari no muri koma. Mwami, Uracari Wa Wundi ejo hahise, uyu munsi n'Ibihe Vyose. NiWumve ugusenga kwacu uyu mugoroba, Ôo Mana. Wavuze Uti: "Iyo musenga, mwizere ko, muronka ico mwasavye, muzogihabwa." Mwami, turizeye, kandi turasenze ko mw'Izina rya Yesu ubakiza, Mwami, kubw'Icubahiro caWe. Vyavuzwe, birasabwa, ubu naho reka bibe. Amen.

Imana ibahezagire, Jerry. Wizerane na we.

[Mwene Data Jerry Jensen avuze ati: "Amen."- Umw.]

Mwene Data Demos.

17 [Mwene Data Demos Shakarian avuze ati: "Urakoze, mwene Data Branham; Jerry. Imana ihabwe icubahiro. Ngomba guhagurutsa aba bantu vyihuta. Mwene Data Arganbright, umwe mu ndongozi zo ku rwego mpuzamakungu; haguruka, mwene Data Miner. Jack Moore, haguruka. Clifford Ford. Doerflein, ava i Seattle. Charles Colonel Young. Enoch Christoffersen, Turlock. Jess Winemore. Ike Akamine, ava mu mazinga ya Hawaï. Ôo, ese ukuntu vyahêzagiye. Ukuntu yahêzagiye imishaha hano, ejo bundi. Ndamukunda. Ni umuserukizi wa Reta Zunze Ubumwe za Amerika, yakoze ku ntwaro y'Abaperezida indwi, Gerald Roll; William Roll, Imana iguhezagire, mwene Data. Dogiteri Ray Merlin…?...! Imana iguhezagire Ray…?...! Earl Prickett." - Umw.]

[Mwene Data Shakarian avuze ati: "Kandi mwene Data Branham yagizwe umunywanyi w'iteka, umunywanyi w'ubuzima, vyose kw'izina ryiwe. Kandi ni umwe muri bake yatowe, n'urwego nyobozi, imyaka myinshi iheze."]

Urakoze mweneData.

[Mwene Data Shakarian avuze ati: "Na mwene Data Williams amukunda cane rwose."]

[Mwene Data Shakarian avuze ati: "Na mwene Data Henry Krause, umuhinguzi w'ivy'uburimyi. Jewel Rose, umunyamabanga mushinguzi wacu. Umurimyi, Frank Foglio, muri…?...! Sinshoboye kukwibuka; Sinshoboye." Mwene Data umwe avuze ati: "Ni Derrick Fredo." Mwene Data Shakarian avuze ati: "Ôo, mwene Data Derrick…?... ukuntu dushima igikorwa c'ibango ciwe! Ôo, vyiza cane, kandi - kandi cane rwose! Dogiteri Stanley, ava muri Canada, mu buseruko bwa Canada."]

[Mwene Data Shakarian avuze ati: "Mwene Data Howard Ervin, ndabona wagarutse ng'aha, Howard Ervin. Twari duhejeje ku… Mbe yari senge ya…?...Twari duhejeje kumuhagurutsa mukanya gaheze, Howard, igihe wari kumwe n'iyo miyabaga." - Umw.]

[Mwene Data Shakarian avuze ati: "Kandi nipfuza kubona ya foto ya mwene Data Branham, yo mu myaka mirongo ibiri iheze."] Huh!

[Mwene Data Shakarian avuze ati: "Mwene Data Norwood, mwene Data Norwood ava muri Kansas City. Mwene Data Ben Smart ava muri Colorado. Herbert Bond, ava muri Los Angeles, umwe mu ndongozi zo mu gice ca Los Angeles, akora igikorwa gihambaye hariya. Na Fred Watson, urya mwungere yicaye hariya, mu mfuruka. Art Wilson hano, kandi nta bibanza bihagije twaronse hano ngo tumwicarike, kubw'ivyo yicaranye n'abo bapfasoni bose. Kandi aba bapfasoni bose hano ni abatambukanyi b'indongozi. Namwe mwese bantu beza!"]

18 [Mwene Data Shakarian avuze ati: "Har'uwo nibagiye? Bamwe mu zindi ndongozi vyabaye ngombwa ko bataha ejo. Darrell Hon…?...vyabaye ngombwa ko agenda. Rero reka twerekane aba bantu dushima utwigoro twabo twose kubw'ivyo." Abo bene Data baciye bavuga bati: "Urakoze. Urakoze." Ikoraniro riciye rikoma amashi. Mwene Shakarian aciye avuga ati:"Amen. Nta n'umwe nibagiye."]

[Mwene Data Shakarian avuze ati: "Mwene Data Branham. Ngwino hano, mwene Data Branham. Wamenye uyu muntu?"]

Oyaye, mushingantahe. Habaye impinduka nyinshi kuva kiriya gihe, bene Data.

[Mwene Data Shakarian avuze ati: "Ngwino hano, Howard."]

[Mwene Data Shakarian avuze ati: "Yari umusore mwiza, kandi n'ubu aracari mwiza, mwene Data Branham. Kandi iyi foto ni nziza."]

[Mwene Data Shakarian ati: "Kandi twanahagurukije nyogosenge mu kanya gaheze. Kumbure ko wipfuza kugira akajambo uvuga, Howard."]

19 [Mwene Data Howard Ervin avuze ati: "Hagati y'imyaka cumi n'ibiri na cumi n'itanu iheze, senge Edith yarakize indwara y'ibinyóro, iyo nzi ko mu vy'ubuvuzi idakira. Sinzi yuko mwene Data Branham yababwiye ukwo vyagenze. Sinzi canke ko nofata akanya gato kugira ndabikore. Iyi ni ikarata yiwe yaronse yo kuja mu murongo wogukira indwara. Ntiyigeze ashika mur'uwo murongo wo gukira indwara. Yari yicaye, yicaye ku murongo ugira kabiri, mu nyubakwa y'amakoraniro ng'aha muri Phoenix. Mwene Data Branham yari yavuze Ubutumwa hafi umutima kumucamwo, yari arushe cane ku buryo atari ashoboye gusengera abantu. Ariko giturumbuka aca aramuraba, amuraba amutumbereye, avuga ati: 'Urashobora gukira nimba ubishaka.' Hama aca ava mur'ico gikorane yakize, kandi n'ubu aracari muzima." - Umw.]

[Mwene Data Shakarian avuze ati: "Yari indwara idakira. Siko?" - Umw.]

[Mwene Data Ervin avuze ati: "Egome. Ntahura yuko iyo ndwara yari iyidakira. Abaganga bacu ng'aha barampinyuza; nta vyinshi nzi mu vy'ubuganga. Ariko ntahura yuko ari indwara y'imitsi, ifata umuntu kurya kw'imibembe. Imitsi irazibira - irazibira umuhora w'amaraso, hanyuma rimwe na rimwe intoke zigaca zibora, zigakoroka. Hărihó ukubagwa kanaka mu vy'ubuganga, kw'umuganga abaga hariya mu buseruko, bababwiye ko bashobora gukora, vyari bijanye no gucacura agatsi kamwe amaja *aha hejuru*; ariko, iyo babikora, yari guca amera nk'igisomasoma. Ariko Imana, kubw'ubushobozi bwaYo buhambaye, yaramukijije, kandi aracari muzima n'uyu munsi." - Umw.]

[Mwene Data Shakarian avuze ati: "Reka twongere tumuhagurutse, hariya inyuma." - Umw.]

[Mwene Data Ervin avuze ati: "Wohaguruka ga senge Edith?" - Umw.]

[Mwene Data Shakarian avuze ati: "Ng'uyo rero inyuma y'imyaka mirongo ibiri." Mwene Data Ervin avuze ati: "Haheze imyaka cumi n'itanu." Mwene Data Shakarian avuze ati:"Inyuma y'imyaka cumi n'itanu." Mwene Data Ervin avuze ati: "Haheze imyaka cumi n'itanu." - Umw.]

20 Umwami ashimwe! Hariho umuntu umwe bibagiye. Twese turashima mwene Data Shakarian. Siko? Twese hamwe. [Ikoraniro riciye rikoma amashi - Umw.]

[Agace katavuga kuri bănde - Umw.]…mera nka Yesu,

Kw'isi…kumera nka We;

Mur'uru rugendo rwose rw'ubuzima, mva kw'isi nja mu Bwiza,

Ico nsaba gusa, kumera nka We.

Dusenge.

Data wo mw'Ijru, turashobora kuKubona uyu mugoroba Uhagaze hampande y'uruhome igihe kimwe Uriko Uraraba abantu baza bashira ishikanwa mu bubiko bw'Imana. Niho Wabona wa mupfakazi aje n'uduhera dukeya, udukuta dukeya tw'ikigiracumi, kumbure koyar'afise abana i muhira, ariko yari yitayeho ivy'Ubwami. Nta nkeka ko ivyo vyongeye kuba kur'uno mugoroba. Habaye benshi bagize ico bashiramwo, hafi ivyo baronse vyose, hano nyene muri rino shikanwa, kubera ko vyashizwe imbere yacu, yuko hariho igikenewe kandi imitima yacu iri muri ico, Data.

21 Kenshi naribajije nti, kumbure iyo nza kuba mpagaze hariya, akaba ari jewe ndiko ndaraba uwo mupfakazi, nari guca nirukanga ndamugana nkamubwira nti: "Oyaye ntubikore, mushikanje. Nta - ntayo dukeneye." Ariko kumbure ryari kuba ari ikosa. Wewe Ntiwigeze umubwira ngo ntabikore. Warihagararariye gusa umwitegereza arikw'arabikora, kuko war'uzi kuva mu mutima ko wari kwongera kumuriha kubw'ico.

22 Data, ndazi yuko uzi intego za buri mutima ushizwe hano, kur'uno mugoroba, n'ico ukora. Ni kubwo Ubwami, Mwami, iki…iki gikorwa tunezererewe bitangaje cane, n'iri sangira, Mwami, ryahuje amadini yose ahambaye yo kw'isi. Twiyumva nk'abantu bagiriwe ibakwe cane ryo kuba hano kur'uyu mugoroba mu Nyonga z'Imana, twumva iri Jambo rihambaye ririko riraza ryongera rigaragara, ryerekana ko Imana iri hagati yacu.

Mana, n'uhe umw'umwe wese na bose bivanye n'ivyo bakeneye. Turasavye ngo uhezagire amashikanwa kubw'ico azokoreshwa.

Ivyo tubisavye mw'Izina rya Yesu. Amen.

Imana Ibahezagire.

23 [Ibănde igarukira ng'aha - Umw.]

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7